
# Ifishe y'ikoreshwa ry'ivu ry'inombe, ingugo (ingwa), ishwagara n'amamesa mu kurwanya ubunyundo bwonona ibiharage mu bubiko

Ubushikiranganji, bw'Uburimyi, Ubworozi n'Ibidukikije

## I. Ubunyundo bwo mu biharage

Mu Burundi, hari ubwoko bubiri bw'ubunyundo bwonona ibiharage biri mu bubiko : *Acanthoscelides obtectus*, *Zabrotes subfasciatus*. Ubunyundo bukuze bwo mu bwoko bwa *Acanthoscelides obtectus* buta amagi imbere mu ntete z'ibiharage, nayo ubwo mu bwoko bwa *Zabrotes subfasciatus* buta amagi hejuru ku rutete rw'igiharage (ishusho 1. B). Ubwo bwoko 2 bw'ubunyundo burabangamira co kimwe akanovera k'intete n'ukugabanya umwimbu mu biharage bibitswe (raba ishusho 1)




***Ishusho1:****Uko ubunyundo bwonona : Acanthoscelides obtectus (A) et Zabrotes subfasciatus (B). (Source : Autrique et Perreaux)*

## II. Kurwanya ubunyundo ukoresheje ivu ry'inombe, ingugo (ingwa), ishwagara n'amamesa

Mu kurwanya ubunyundo hashobora gukoreshwa imiti mva ruganda yica udukoko twonona umwimbu, imifuko igenewe gushingura umwimbu (PICs), ibikoresho vyugarika neza be n'ibikoresho kama nk'ivu ry'inombe, ingugo, ishwagara n'amamesa.

Inombe, ingugo n'ishwagara bikoreshwa ari agafu kanoze kateguwe muri ivyo bikoresho kama, amamesa nayo agakoreshwa ayaze. Ivyo bikoresho rero turaheza tukabikoresha mu guhungira intete z'ibiharage kugira bizikingire ubunyundo.

Ivyo bikoresho, bikora mu kugabanya kugendagenda hamwe n'irondoka ry'ubunyundo. Birakingira ibidukikije kandi n'ubuhinga bukoreshwa mu bubiko butobuto.

Ubwo buryo butegerezwa gukoreshwa umwimbu ugishirwa mu bubiko naririya intete zibiharage zishobora kwandurira mu mirima.

## III. Itegurwa n'ikoreshwa ry'inombe, ingugo (ingwa), ishwagara n'amamesa

### 1. Itegurwa n'ikoreshwa ry'inombe

- Rondera isi y'inombe wimbe ivu ukeneye gukoresha ;
- Menagura neza ibinompo vy'inombe hanyuma wanikire iryo vu ku zuba;
- Sya iryo vu ry'inombe, uriyungurure kugira uronke agafu kanoze (rabira kw'ishusho 2) ;
- Pima ibiro 2,4 vy'ako gafu k'inombe, ugashire mu biro 100 vy'intete z'ibiharage zumye;
- Vangira neza kw'ihema ibiharage n'ako gafu k'inombe  kugira uhungire neza uce ubishira mu mifuko hanyuma uyishire mu kibanza cabigenewe;
- Ubwo buhinga bukingira umwimbu mu kiringo c'amezi 3.



***Ishusho 2:*** *Agafu k'inombe gateguriwe gukoreshwa*

### 2. Itegurwa n'ikoreshwa ry'ingugo (ingwa)

- Rondera ikibanza kirimwo ingwa (ahari ikinyengwa) hanyuma ukure iyo ukeneye gukoresha ;
- Menagura ibinompo vy'ingugo, uyanikire ku zuba;
- Imaze kwuma, sya ingugo uyiyungurure kugira uronke agafu kanoze (rabira kw'ishusho 3) ;

- Pima ibiro 5 vy'agafu k'ingugo ugakoreshe mu biro 100 vy'intete z'ibiharage ;
- Vangira neza kw'ihema ibiharage n'ako gafu k'ingugo kugira uhungire neza uce ubishira mu mifuko hanyuma uyishire mu kibanza cabigenewe ;
- Ubwo buhinga bukingira umwimbu mu kiringo c'amezi 3.



***Ishusho 3 :*** *Agafu k'ingugo gateguriwe gukoreshwa*

### 3. Itegurwa n'ikoreshwa ry'agafu k'ishwagara

- Rondera ahari urutare rurimwo ishwagara hanyuma wimbe iyo ukeneye gukoresha ;
- Honda neza urwo rutare hanyuma uyungurure kugira haboneke agafu k'ishwagara kanoze (raba ishusho 4) ;
- Pima ibiro bitanu 5 vy'agafu k'ishwagara, ugakoreshe mu biro 100 vy'intete z'ibiharage ;
- Vangira neza kw'ihema ibiharage n'ako gafu k'ishwagara kugira uhungire neza uce ubishira mu mifuko hanyuma uyishire mu kibanza cabigenewe;
- Ubwo buhinga bukingira umwimbu mu kiringo c'amezi 3.



***Ishusho 3:*** *Agafu k'ishwagara kateguriwe gukoreshwa*

### 4. Itegurwa n'ikoreshwa ry'amamesa

- Koresha ama sese (mililitiro) 200 y'amamesa mu biro 100 vy'intete z'ibiharage vyumye ;
- Ukoreye kw'ihema, hungira neza intete z'ibiharage vyumye ukoresheje ayo mamesa;
- Rekera ivyo biharage uhejeje guhungira ahaca akayaga kugira vyumuke kandi n'ugutita bivuye ku mavuta bigabanuke ;
- Tondeka ugerekeranye neza imifuko irimwo intete zabitswe hakurikijwe ubwo buhinga mu kibabanza cabigenewe ;
- Ubwo buhinga bukingira umwimbu mu kiringo c'amezi 3.

**Menya neza** : Twihwejeko amamesa agabanya ubushobozi bwo kumera n'ikura ry'igitegwa inyuma y'imera, abwirizwa gukoreshwa ku biharage bigenewe gufungurwa vyonyene.



***Ishusho 4:*** *Amamesa ateguriwe gukoreshwa*